Uwutagirira impuhwe abantu, Imana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro ntiheza ngo Imugirire impuhwe namba

Mu vyakiriwe na Jariiru mwene Abdullahi (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwutagirira impuhwe abantu, Imana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro ntiheza ngo Imugirire impuhwe namba".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratomora ko uwutagirira impuhwe abantu, Imana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro Itamugirira impuhwe namba, burya ukugirira impuhwe ibiremwa, ni imwe mu mvo zihambaye zituma umuntu agirirwa impuhwe n'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/5439